
# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije

# Yesu na Lazaro



Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Janie Forest; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org


©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.



Mariya na Marita bari mumarira. Musaza wabo Lazaro, yari arwaye cane. Bashiki biwe bari bazi ko ashobora gupfa vuba. Batuma abaja kurondera Yesu. Yarakunda uyu muryango mutoyi w'i betaniya.




Yesu amaze kubwirwa ingene lazaro amerewe, abwira abigishwa biwe ati: “Iyo ngwara si iyo kumwica.” N’aho Yesu yari kure ibilometero vyishi, yari azi ico lazaro arwaye.
3
Yesu arindira imisi ibiri imbere y’uko aja i betaniya. Hanyuma abarira abigishwa biwe ikintu cabatangaje ati: “Lazaro yapfuye. Ndanezerewe ko atariyo nari ndi, kugira ngo mushobore kwizera.” Mbega ayo majambo atangaje yasigura iki? Yesu yagomba akore iki?
4
Yesu ashitse i betaniya, lazaro yari amaze imisi ine apfuye. Umubiri wiwe, bari bawuzingiriyeko impuzu kandi wari mumva imeze nk’icobo.
5
Marita aza aho Yesu ari. Yesu aramubwira ati: “Musaza wawe azosubira kubaho.” Marita nawe aramwishura ati: “Ndazi ko azozuka kumusi wo kuzuka.” Yiyumvira ko ategerezwa kurindira umusi w’umuhero kugira ngo asubire kubona Lazaro. Ariko Yesu yashaka kuvuga ibitandukanye n’ivyo.
6
Yesu abarira Marita ati: “Ni jewe kuzuka n’ubugingo, uwunyizera azobaho n’aho yoba yarapfuye.” Marita yarizera Yesu. Kandi yari azi ko ari umwana w’Imana. Ariko yashobora gute gufasha Lazaro?
7
Bose bari bababaye cane kuko Lazaro yari yapfuye. Mushiki we mariya yariko ararira, abagenzi biwe nabo bagerageza kumuremesha. Na Yesu ararira.
8


Yesu ajana n’abantu gushika kumva ya lazaro. Hari hugajwe urubuye runini cane.
9
Yesu ababarira ati: “Ni mukureho ico kibuye.” Marita yishura Yesu ati: “Mwami, aramaze kunuka kuko amaze imisi ine apfuye.”
10
Kw’itegeko rya Yesu, abantu batembagaza ca kibuye. Maze Yesu aca asenga asaba Se wiwe wo mw’ijuru. Yesu yagira akore igitangaza gihambaye kugira abantu bamenye ko ari Imana yari yamutumye.
11
Yesu arasemerera ati: “Lazaro, sohoka!” Abantu bari imbere y’imva baratangaye. Yesu yarashobora kuzura umuntu yapfuye?
12
Ego! Lazaro arasohoka, ibirenge n’amaboko bizingiriye ko impuzu-ARI MUZIMA!
13
Yesu arababwira ati: “Ni mumuhamburure, mumureke agende.” Mbega umunezero! Amarira ahindukamwo umunezero. Yesu yari yafashe ijambo. Lazaro asubira kuba muzima. Umwana w’Imana wenyene niwe yashobora gusubiza ubuzima uwari yapfuye.
14

Abantu beshi babonye ico gitangaza baca barizera Yesu. Ariko bamwe baja kuvyiganira abansi biwe-abakuru b'isinagogi. Kubera ishari, barondera ingene bokwica Yesu. Yesu abimenye, ava muri bo aca aja m'ubugaragwa.





Yesu na Lazaro

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Yohana 11

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130



# Iherezo

52 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16